ITANGAZO RY'UMUGAMBWE CNDD-FDD KU WA 12 GITUGUTU 2023

1. **Mu gihe Abarundi buca twibuka, kuri uyu wa 13 Gitugutu 2023, igandagurwa ry'Umuganwa atari umugani Rudoviko RWAGASORE, incungu y'Ukwikukira kw'Uburundi, Umugambwe CNDD-FDD urifadikanije n'Abarundi bose muri rusangi mu kwibuka iyo mfura y'Uburundi twabuze tutanka.**

2. **Hari kw'igenekerezo rya 13 Gitugutu 1961, aho abansi b'Uburundi bagandagura intwari yacu, Umuganwa Rudoviko RWAGASORE, bamuziza ko yaharaniye gusubiza Igihugu beneco, Uburundi bukiganzura intwaro ya gikoroni, mu gutsinda amatora yasaba ko Uburundi bwikukira mu maguru masha. Naho abansi b'igihugu bamugandaguye, ba sokuru barayamaze ngo « Wica isake, ntiwica ico yabitse », urugamba RWAGASORE yari ahejeje gutsinda rwaratanze umusaruro, maze Uburundi buronswa intahe yo kwikukira ku wa 1 Mukakaro 1962 bene umurango babona.**

3. **Umugambwe CNDD-FDD urasubiriye kwemerera Abarundi ko utazigera uhengeshanya kwigisha no kugendera iragi twasigiwe n'iyo ncungu y'Ukwikukira kw'Uburundi. Ingendo yo gukunda igihugu gushika no kucigura, Umugambwe CNDD-FDD wayigize iyawo, ugahamagarira Abarundi bose muri rusangi, na cane cane Abagumyabanga kwama na ntaryo bazirikana iryo ragi twasigiwe n'Umuganwa Rudoviko RWAGASORE.**

4. **Umugambwe CNDD-FDD uboneyeho gukeza vy'imvamutima indongozi z'Igihugu, uhereye kuri Nyenicubahiro Evariste NDAYISHIMIYE, Umukuru w'Igihugu cacu, ku ngendo n'ingingo nziza za Reta mvyeyi, Reta nkozi, mu gukomeza Intahe y'Ukwikukira biciye mu kunagura ubutunzi no guhesha iteka Uburundi mu makungu.**

5. **Muri kino gihe, Umugambwe CNDD-FDD uhimiriza Abarundi kwijukira ibikorwa vy'iterambere biciye mu kuja hamwe mu makoperative nk'uko Umuganwa Rudoviko RWAGASORE yari yarabitanguje mu gihe yari mu rugamba rwo gutuma Uburundi bwishira bukizana mu vya poritike, eka no mu vy'ubutunzi.**

6. **Umugambwe CNDD-FDD ukaba wipfurije Abarundi isinzi bakunda igihugu cabo kugendera bivuye inyuma iragi twasigiwe n'incungu y'ukwikukira kw'Uburundi, Umuganwa Rudoviko RWAGASORE, kugira ngo twubake Uburundi bw'ejo buzira ubukene, burangwamwo amahoro, umutekano, ubutungane n'iterambere kuri bose.**

Bigiriwe i Gitega, ku wa 12 Gitugutu 2023

Umunyamabanga Mukuru w'Umugambwe

Hon Reveriyano Ndikuriyo

Umunyamabanga mukuru. -